



**ITANGAZO**

**TWIBUKE ABAHITANYWE N,IKIZA CA MANDAT YA GATATU YA NKURUNZIZA Petero.**

Imyaka ibiri irarangiye ngarukiye iyo rwotera izuba.

Hari igenekerezo rya 3 ukwezi kwa munani 2015 neza na neza isaha 12 z'umugoroba, aho narusimba mpejeje kuraswa insoro zine ariko Imana irakinga mpitanwa na rumwe. Nagarukiye iyo rwotera izuba.

Nico gituma nsubiriye gusaba abantu bose barajwe ishinga n'iyubahirizwa ry'agateka ka kiremwa muntu, bipfuza iyubahirizwa ry'amateka n'amategeko agenga igihugu, ko bofata akanya bagacana utu bougies kuruyu wa kane italiki 3/8/2017, kuva isaha 12 z'umugoroba kugira twibuke abo bose bitavye Imana, abacitse kw'icumu, ababorejwe igufa, abakenyezi bafashwe ku nguvu n'abari bajejwe kubakingira, ababoreye mu mabohero, abagorewe mu buhungiro, abatekewe n'ubwoba bari mu Burundi batabona iyo bava niyo baja, eka nabo bose bari mu ngorane zitandukanye kubera ububegito bwa Bampema yuzuye bazingamitse igihugu c'Uburundi kubera mandat ya gatatu ya Petero NKURUNZIZA.

Umwijima urahera umuco ugatamanzura.

MBONIMPA Petero Karaveri

Association Pour la Protection des Droits Humains et des Personnes Détenues
A.PRO.D.H
Association for the Protection of Human Rights and Detained Persons